VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

Serivisi zo Kwitaho Abana (CPCS)
Impinduka mu mgambi wo kurwanya COVID-19

INCAMAKE

Abana bemerewe CPCS kubera bakeneye iyindi mfashanyo idasanzwe mu bikorwa vyabo vyo mu buzima bwa misi yose (ADLs). Amagara y'abantu ari mu bihe vyihutirwa vyatewe n'indwara y'ikiza ya COVID-19 bisigura ko imiryango idashobora kuronka imfashanyo idasanzwe ironswa n'umukozi wo hanze ajejwe kuronsa serivisi bitewe n'ivyago vyiyongereye vyo kwandura umugera wa coronavirus.

Mu kuronderera inyishu izi ntambamyi ziyongereye ku kuronsa ubuvuzi, Ikigo ca Vermont Agency casavye uruhusha rudasanzwe ibigo vya Medicaid na Medicare (CMS) kwemerera abavyeyi n'abagize umuryango w'abana baronswa CPCS guhabwa amahera agenewe ubuvuzi budasanzwe buriko buratangwa. Izi ni impinduka z'ingirakamaro, mugabo z'igihe gito ku mategeko y'igihugu agenga CPCS.

IBI BIZOGENDA GUTE?

Umuvyeyi, canke uwundi yitwararika umwana yerekanwe nk'umuryango w'umwana, ashobora kuronswa amahera mu ndwi zibiri kubera ibikorwa vyo kwitwararika umwana bakora mu kiringo co kwitaho amagara y'abantu mu buryo bwihutirwa.

Igitigiri c'amahera gishingira ku masaha CPCS yageneye umwana, aharurwa hashingiwe ku kiguzi ca Medicaid (amadorari $13.74 ku isaha). Aya masezeranoa akoreshwa gusa gusa na CPCS atandukanye n'ayo umukoresha n'umukozi bagirana hagati yabo.

Abavyeyi bazoshikiriza fagitire ARIS Solutions buri gihe haheze indwi zibiri harimwo amakuru ya nkenerwa, nk'amazina y'umukozi atanga serivisi, isano bafitaniye n'umwana, igihe kiri hagati y'amatariki, n'igitigiri c'amasaha yaranguwe. Igopi ya fagitire urashobora kuyikura ku rubuga ngurukanabumenyi rwa ARIS. Gopi zizorungikirwa ARIS, cokimwe n'amabahasha ariko tembure azokoreshwa mu gusubira kurungika, hamwe no mu kiringo gikurikira co kumenyesha ibizoba vyakoreshejwe.

Amahera azorihwa hashingiwe ku vyagenwe na CPCS kugorerwa umwana ubu.

Yahujwe n'igihe kw'igenekerezo rya 5/5/2020

VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

Uru ruhusha rudasanzwe ruraba n'ikiringo ca mbere y'igenekerezo rya 15 Ntwarante 2020, ku munsi wa Mungu mbere yo gushikiriza itegeko ryo kugara amashure ya Vermont. Ibi bisigura ko abavyeyi bashobora gushikiriza fagitire y'ibikorwa vyo kwitaho umwana bidasanzwe vyaranguwe kuva kw'igenekerezo rya 15 Ntwarante 2020.

IBIBAZO VYITEZWE

Ndashobora kubandanya gukoresha abandi bafasha mu vyerekeye kwitaho umwana (PCAs)?

> Ego. Nimba umuryango uhisemo gushigikirwa n'umufasha PCA wo hanze, ibi bizogira inkurikizi ku gitigiri c'amahera ahari agenewe kuriha abavyeyi n'abandi bitwararika umwana mu kiringo c'agateganyo uruhusha rudasanzwe ruzoba ruriko rurubahirizwa.

Nokoresha amasaha angahe mu ndwi?

> Abavyeyi n'abandi bitwararika umwana bahitamwo guhabwa amahera mu kiringo uruhusha rudasanzwe rw'agateganyo ruriko rurubahirizwa bashobora gusa kurihwa igitigiri c'amasaha umwana wabo yemerewe guhabwa imbere y'aho.
>
> Mugabo, abavyeyi barashobora kwemera kurihwa amasaha makeyi adashika ku gitigiri cose c'amasaha yo mu ndwi, kugira bategekanye amahera ahabwa abafasha bo hanze PCAs. Urukaratasi rwa fagitire ya ARIS rurekurira abavyeyi kwerekana igitigiri c'amasaha barihwa, ashingiye ku gitigiri ntarengwa c'amasaha agenerwa umwana wabo.

Noba nkeneye kumenyesha izi mpembo mu makori yanje?

> Ego. Abavyeyi n'abagize umuryango baronka impembo za CPCS COVID bazoshikirizwa na ARIS Solutions inkaratasi zikenewe zo kumenyesherezako amakori, bitarenze kw'igenekerezo rya 31 Nzero 2021.

Uruhusha rudasanzwe ruzomara igihe kingana gute rwubahirizwa?

> Ruzohera ikiringo cose ibibazo vyihutirwa vyo kwita ku magara y'abanyagihugu giheze, nk'uko vyatangajwe na reta.

Bizogenda gute nimba ntariyandikishije muri ARIS Solutions nk'Umukoresha?

Yahujwe n'igihe kw'igenekerezo rya 5/5/2020

Aya mahera ntiyishurwa mu buryo bw'akazi. Mugabo, ku mvo za ARIS na Reta zo gukenera inyandiko, uzokwama ukeneye kwuzuza "Urukaratasi rwa CPCS Rwerekana Isano Umwana n'Umuvyeyi Bafitaniye " yiyongera kuri fagitire y'indwi zibiri.

Noshikiriza fagitire mbere?

Oya. Amategeko ya Medicaid asaba ko amahera arihwa gusa serivise zahejejwe gutangwa.

Noba nkeneye kumenyesha izi mpembo nimba ndonka imfashanyo za asiranse igenewe abashomeri?

Ego. Naho izi mpembo zitaronkwa mu buryo bw'akazi, Ubushikiranganji Bujejwe Akazi muri Vermont bwemejwe ko ziharurwa mu mishahara kandi ko zitegerezwa kumenyeshwa mu gihe co kurungika dosiye y'imfashanyo za asiranse igenewe abashomeri.

Ndashobora kurungika inkaratasi za COVID kugira ndihe Muganga Asanzwe Abungabunga Amagara Yanje (PCA)?

Oya. Impembo za CPCS COVID zigenewe gusa ku bavyeyi n'abagize umuryango. Umu PCA yahawe akazi n'umuryango arashobora kubandanya kurungika impapuro zigaragaza igihe yakoresheje ukwo yahora abigira.

IZINDI MPINDUKA MURI UYU MUGAMBI

CPCS iriko irongereza ubu ivyo igenera abana ku ngero za buri ndwi mu kiringo c'amezi 6. Tuzokumenyesha mbere ko hakenewe kwongera gusaba.

Nimba hari ivyahindutsekuvyerekeye kwitaho umwana wawe, kongera gusaba infashanyo birashobora gusubira kwihwezwa habanje guhinduea ingene bikorwa. Kandi amakete mashasha asaba aracihwezwa.

Uamenye: ibikorwa nkenerwa vyo gucungera vyiyongereyeko bitewe n'ingwara y'ikiza ca COVID-19 ntabwo, ubwavyo, bifatwa nk'impinduka ku vyo umwana akenera kuri CPCS.

Yahujwe n'igihe kw'igenekerezo rya 5/5/2020

VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

Nimba ufise ikibazo urasabwa kwakura abajejwe uyu mugambi muri CPCS. Turipfuza kumenya izi mpinduka zigira inkurikizi ku muryango wawe n'ingene dutegerezwa kuvyitwararika gusumba mu gihe umwe mu muryango yagize ingorane.

ADERESE Y'UMUNTU WOKWITURA

Adam Poulin, Umuyobozi wa Porogarama	802-865-1395 adam.poulin@vermont.gov
Jessica Hill, Umuhinga wa CPCS	802-951-5169 jessica.hill@vermont.gov
Anne Bronson, Umutekinisiye wa Porogarama	802-865-1311 anne.bronson@vermont.gov

AYANDI MAKURU

ARIS Solutions – Igisata ca Medicaid

DS/CPCS/FMR/CFC/

PDAC/Flex

Ifishe yo Kurihirako rwa ARIS COVID – fagitire ikenewe kugira urihe amahera

ARIS isano hagati Umuvyeyi n'Umwana bafitanye – hakenewe gusa kuraba nimba umuntu arihwa amahera atageze yiyandikisha imbere y'aho nk'umukoresha muri ARIS

ARIS CPCS uko wagiye uriha – vuga amatariki ya nkenerwa hamwe hamwe n'ibiringo

Ku rubuga ngurukanabumenyi rwa - Serivisi zo Kwitaho Abana (CPCS)

Yahujwe n'igihe kw'igenekerezo rya 5/5/2020

VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

AMABWIRIZWA AKURIKIZWA MU KUZUZA UIFISHE YA ARIS:

Ifishi zo kurihirako za ARIS COVID zitegerezwa kurungikwa kugira amahera arihwe rimwe buri ndwi zibiri

> Mu kurungika ubwa mbere,abavyeyi bashaka "kuriha ayo batarishe" kuva kw' igenekerezo rya 15 Ntwarante 2020 iyi ngingo itanguye gushirwa mu ngiro bategerezwa gushiramwo ibiringo vyose barihiye ariko ivyo vyose bategereza kuvyerekana kw'Ifishe (akarorero 15/3/20 – 28/3/20, 29/3/20 – 11/4/20, n'ibindi).
>
> Izo fishi zizokurikira zitegerezwa kwerekana gusa ikiringo kimwe co kuriha kigizwe n'indwi 2, **atari** indwi imwe canke indwi zikeyi, canke iminsi imwe.

Ifishi zo kurihirako amahera za ARIS COVID zishobora gusa gushirwamo umwana umwe (1)

> Imiryango ifise abana benshi baronswa CPCS bategerezwa gushikiriza ifihe zitandukanye, muri buri kiringo co kuriha, kuri buri mwana

Ifishe zo kurihirako amahera za ARIS COVID zishobora gusa gushirwamo uwuhabwa amahera umwe (1)

> Igihe abavyeyi batandukanye barekuriwe kuronswa amahera (atarenze ayahawe n'amasaha umwana wabo yagenewe buri ndwi), ifishe zo kuzuza zitegerezwa gushikirizwa

Ifishe yo kuzuza ya ARIS igenewe Umuvyeyi/Umwana itegerezwa gushikirizwa nimba umuntu ariko ararondera kurihwa atari Umukoresha yanditswe ku nfashanyo za CPCS zigenerwa umwana.

> Ntibikenewe gushikiriza iyi fishi kuri buri kiringo co kuriha mu nyuma ARIS yarahejeje kururonka mw'idosiye y'uhabwa amahera.

ARIS irashobora gusa kuriha amahera ahwanye n'amasaha CPCS igendearko muri uwo mugambi wo kuvura

> Iyo ifishe zishikirijwe zerekeye amasaha arenga ayo umwana yegenewe mu ndwi, ARIS izohindura ivyasabwe kugira bihure n'amasaha ya buri ndwi

yamenyeshejwe na CPCS.

Mu gihe inkaratasi zishikirijwe zisaba kuriha amahera arenga ayasigaye mu kiringo umwana yaronkeye uruhusha, ARIS izoriha gusa ayangana n'ayasigaye muyo yagenewe.

Amabahasha arishwe mbere n'izindi gopi z'amafishe zo kuzuza birabobeka ubisavye uterefonye kuri ARIS Solutions (1-800-798-1658)